

# Bible Stories for Kids

Illustrated by David W. Grasso

Ni co catumye Uhoraho Imana amukūra mur' iryo tongo ryo muri Edeni, ngw aje kurima ivu yakūwemwo. Nuko yirukana uwo muntu; kandi mu ruhande ruhera i burasirazuba rw'iryo tongo ryo muri Edeni, ahashira Abakerubi, bo n'inkota yaka umuriro, itangatanze impande zose, ngw itangīre inzira ija kuri ca giti c'ubugingo.

**Itanguriro 3:23-24**





Uhorabo agendera Sara nk' uko yavuze, kand' amugirira nk'uko yamubariye. Sara asama inda, avyarana na Aburahamu umuhungu mu butāma bwiwe, mu gihe cāshinzwe, kimwe Imana yari yaramubariye nyene. Umwana Aburahamu yavyaye amwita īsaka, uwo yavyaranye na Sara. Aburahamu akeba Isaka umwana wiwe amaze imisi munani avutse, nk' ukw Imana yamubariye. Aburahamu yar' amaze imyaka ijana igihe yavyara umwana wiwe Isaka. Sara aravuga, at' Imana irantwengeje; kand' abazovyumva bose bizobatwenza nkanje.

**Itanguriro 21:1-6**







Maze nanje nzozana umwuzure w'amazi mw isi, ngo mperengeteze musi y'ijuru ibifise umubiri vyose, biri n'ubugingo bihumeka; ibiri mw isi vyose bizopfa. Ariko nzoshinga isezerano nzogusezeranira: uzokwinjirana mur'ubwo bwato n' abana bawe n'umugore n'abakazana bawe. Kandi mu bwoko bwose bw'ibiri n'ubugingo bifise umubiri, uze winjize mur' ubwo bwato bibiri-bibiri, kugira ngo birokokane nawe; ivyo bibe ikigabo n'ikigore. Mu biguruka, nk'ukw amoko yavyo ari, no mu bitungano, nk' ukw amoko yavyo ari, no mu vyikwega hasi vyose, nk'ukw amoko yavyo ari, bibiri-bibiri vy'amoko yose bizoza ah' uri, ngo birokoke. Kand' uze wijanire mu biribwa vyose, ubiziganye, kuko bizoba ivyo kubatunga, mwe n'ivyo muri kumwe.

Nuko Nowa abigenza artyo: ukw Imana yamubariye kwose ni ko yakoze.

**Itanguriro 6:17-22**



Hanyuma y'ivyo Mose na Aroni baragenda babarira Farawo, bat' Uhoraho, Imana y'Abisirayeli, igize ngo Rekura abantu bayo, bagende, bayigirire imisi mikuru mu bugaragwa.

Farawo arababaza, at' Uhoraho ni nde, ngo ndamwumvire, ndekure Abisirayeli?' Uhoraho sindamuzi, kandi sindekura Abisirayeli.

Baramubwira, bat' Imana y'Abaheburayo yaratwiyeretse: none turasavye, uturekure tuje mu bugaragwa, tugende urugendo rw' imisi itatu, kugira ngo tuze dushikanire Uhoraho Imana yacu ibimazi, yoye kuzohava idutērēra ikīza cank' inkota.

Umwami wa Egiputa arababaza, ati Mbega Mose na Aroni, n'iki gitumye mutesha abo bantu ibikorwa vyabo? Ni mugende musubire ku bikebere vyanyu!

Nukw abantu bakwiragira mu gihugu cose ca Egiputa kwironderera udushingweshingwe mu mwanya w'ibiganogano.

**Kuvayo 5:1-5**

Maz' Uhoraho abumbura akanwa k'iyo ndogoba, ibaza Balamu, it' Umpoye iki, kunkubita ibihetangabo gatatu kose?

Balamu arayishura, ati N'uk' urik' uramfyinako. Iyo mba mfise inkota mu ntoke, mba nkwishe aka kanya!

Iyo ndogoba ibaza Balamu, iti Sind' indogoba yawe, wama ugenderako gushitsa uyu musi? Har' aho nigeze kukugirira nk'ibi? Arahakana, at' Oya.

Maz' Uhoraho ahumūra amaso ya Balamu, abona uwo mumarayika w'Uhoraho ahagaze mu nzira, yāsokōye inkota: aca ajondamika umutwe, arapfukama arūnama.

**Guharūra 22:28-31**





atumbereye ingabo z'Abafilisitiya, ngw ahūre n'uwo Mufilisitiya nyene. Maze Dawidi atuma ukuboko mw isaho yiwe, akūray' ibuye, ariteresha wa mugozi, arinega uwo Mufilisitiya mu ruhanga, rimwiteramwo, aca yikubita hasi yubamye.

Uko ni ko Dawidi yagangahuje uwo Mufilisitiya ibuye yateresheje umugozi, akamwica; kandi nta nkota Dawidi yari yitwaje.

Maze Dawidi arirukanga, amuhagarara hejuru, asūmira inkota yiwe, ayimusokōra mu rwubati, aramuhohosha, amuca izosi. Maz' Abafilisitiya babonye umuhizi wabo apfuye, baca baratemesha.

**1 Samweli 17:48-51**







Nuk' umwami apfa kubigera, bazana Daniyeli, bamuterera mu rwobo rw'intambwe. Maz' umwami abwira Daniyeli, at' Imana yawe wama ukorera iragukiza.

Maze bazana ikibuye, bacubika ku munwa w'urwobo, bagihomakw ishashara, ayidomamw' ikimenyetso ciwe bwite, n'ikimenyetso c' abaganwa biwe, kugira ngo ntihagire igihindurwa mu vya Daniyeli.

Nuk' umwami asubira mu ngoro yiwe, akesha ijoro adafūnguye, ata n'ivyo kumunezereza bamuzanira; ntiyaruha agoheka. Ijoro rikeye mu mutwenzi umwami aravyukuruka, agenda yihuta aja kuri rwa rwobo rw'intambwe.

Ashitse hafi ya rwa rwobo Daniyeli yarimwo, ahamagara n'ijwi ry'umubabaro, abaza Daniyeli, ati Yewe Daniyeli musavyi w'Imana nzima, mbeg' Imana yawe ukorera na ntaryo yashoboye kugukiza izo ntambwe?

Maze Daniyeli yishura umwami, ati Mugenzi nyaguhoraho, Imana yanje yarungitse umumarayika wayo, azibira iminwa y'intambwe, nta co zankozeko; kuko nabonetse imbere yayo ntagira igicumuro, kandi nawe, mugenzi, nta kibi nakugiriye.

**Daniyeli 6:16-22**





Nuko baterura Yona, bamuta mu kiyaga; ikiyaga kireka gusuriranya. Maz' abo bantu baca batinya Uhoraho bihebuje; bamuha ikimazi, bamusezeranira amasezerano.

Uhoraho agera urufi runini ngo rumire Yona. Maze Yona amara mu nda y'urufi imisi itatu n'amajoro atatu.

**Yona 1:15-17**

Uwo mwanya hamwe n'uwo mumarayika haboneka ingabo nyinshi zo mw ijuru, zihimbaza Imana, zit' Icubahiro ni kibe ku Mana ahasumba ijuru, No mw isi amahoro abe mu b'inezererwa.

Ba bamarayika bahejeje kuva aho bari, basubiye mw ijuru, nya bungere baravugana, bati Ngo rero tuje i Betelehemu, turābe ico kintu cabayeyo, ico Umwami Imana atumenyesheje. Bagenda banyaruka, babona Mariya na Yosefu n'uruyoya rubīkiriwe mu bwato bw'inka. Babibonye bababarira ijambo bābwiwe kur' uwo mwana. Abavyumvise bose batangazwa n'ivyo ba bungere bababwiye.

Ariko Mariya abīka ayo majambo yose, ayiyumvira mu mutima wiwe. Maze ba bungere bahindukira bahimbaza Imana, bayishimira ivyo bumvise vyose n'ivyo babonye, nk'uko bābibwiwe.

**Luka 2:13-20**



Abonye Yesu akiri kure, arirukanga, arunama, asemerera n'ijwi rirenga, ati Duhūriye hehe ga Yesu Mwana w'Imana isumba vyose? Ndakurahiye Imana, ntumbabaze agashinyaguro. Kuko yar' amubariye, ati Va mu muntu, wa mpwemu ihumanye.

Aramubaza, ati Witwa nde? Aramwishura, ati Gitero ni ryo zina ryanje kuko turi benshi.

Aramwinginga cane ngo ntazirukane mur' ico gihugu.

Kandi kur' uwo musozi hār' umukuku mwinshi w'ingurube zirisha: ziramwinginga, ziti Turungike muri ziriya ngurube, tuzinjiremwo.

Arazemerera. Izo mpwemu zihumanye zimusokorotsemwo, zinjira muri nya ngurube, umukuku wirukira ku gatembwe, zisuka mu kiyaga, zāri nk'ibihumbi bibiri, amazi araziniga.

**Mariko 5:6-13**









Yesu agarutse, ishengero riramusanganira, kuko bose bāri bamurorereye. Maze haza umuntu yitwa Yayiro, umukuru w'isinagogi: yitembagaza imbere y'ibirenge vya Yesu, aramwinginga ngw aze i muhira i we, kuko yar' afise umukobwa w'ikinege, yar' amaze imyaka nka cumi n'ibiri avutse, kandi yarikw arahwera. Arikw aragenda, ishengero riramubānda.

Maze Yesu avyumvise aramubwira, ati Ntutinye, wizere gusa, arakira.

Ashitse ku nzu, ntiyagira uwundi muntu akundira kwinjirana na we, atari Petero na Yohana na Yakobo, na se wa nya mukobwa na nyina.

Asanga bamuririra bose, bīshishitira. Arababarira, ati Nta co murira, ntahwereye, arikw arasinziriye.

**Luca 8:40-42, 50-52**



Hār' umuntu yitwa Zakayo, yar' umutozakori mukuru, kandi yar' umutunzi. Ageza kurāba Yesu, ngw amenye ukw asa, bimwankira kubw' ishengero, kuko yari mugufi. Arirukanga, aja imbere, yūrira igiti citwa umusukomora ngw amurābe, kuko yagira ace mur' iyo nzira.

Yesu ahashitse, ararangamiza, aramubarira, ati Zakayo, ururuka vuba, kuk' uyu musi nkwiye kurāra i wawe. Yururuka vuba, amwākīrana akanyamuneza.

Babibonye, bose baridodomba, bati Ko yinjiye kurārira umuntu w'umunyavyaha!

**Luca 19:2-7**

Bacanye umuriro mu rugo hagati, bicaye hamwe, Petero yicara hagati muri bo. Incoreke imubona yicaye ahabona, imwitegereje iravuga, iti N'uyu yari kumwe na we. Na we arabihakana, at' Eka nyina wanje, sindanamuzi.

PHashize akanya gato, uwundi aramubona, aramubwira, ati Nawe nyene ur' uwo muri bo. Petero aramwishura, at' Eka wa muntu, si jewe.

Hashize umwanya nk' isaha imwe, uwundi abivuga yigumiye, ati N'ivy' ukuri, uyu yari kumwe na we, bitayeko n'Umunyagalilaya.

Petero aramubwira, at' Eka wa muntu, sinzi n'ivy' uvuze. Akivuga, uwo mwanya inkoko irabika.

**Luca 22:55-60**





Baramubamba, bagabura impuzu ziwe, barazipfindira, ngo bamenye iyo umuntu wese atwara. Igihe bāmubamba zar' isaha zitatu. Icandiko c'ikirego candikwa hejuru yiwe ng' UMWAMI W'ABAYUDA.

Kandi babambana na we abambuzi babiri, umwe i buryo bwiwe, uwundi i bumoso. [Nukw ivyanditswe birashika, ngo Yaharūranywe n' abanyavyaha.] Abahahita baramucurira, bazunguza imitwe, bati Yō, wewe usambura urusengero, ukarwubaka mu misi itatu, ni wikize, wimanure ku musaraba.

N'abaherezi bakuru bamucurīra bartyo, banwengurana n'abanyabwenge b'ivyanditswe, bati Yakijije abandi, we ntashobora kwikiza: Kristo Umwami w' Abisirayeli ni yimanure ku musaraba ubu nyene, tubibone twizere. N'abāri babambanywe na we na bo baramutuka.

**Mariko 15:24-32**









Ku wa mbere w'imisi ndwi mu gahuru, hatarabona, Mariya Magadalene aja ku mva, abona ikibuye gikūwe ku mva; agenda ariruka ashikīra Simoni Petero na wa mwigishwa wundi Yesu yakunda, arababwira, ati Bākūye Umwami Yesu mu mva, kandi ntituzi aho bāmushize.

Nuko Petero arasohoka, na wa mwigishwa wundi, baja ku mva. Bompi birukira icarimwe, kandi wa mwigishwa wundi asiga Petero, amutanga ku mva. Yunamye, arungurutseyo, abona za mpuzu zera derere zirambitseho, ariko ntiyinjira. Maze Simoni Petero arashika amukurikiye, yinjira mu mva, abona za mpuzu zirambitseho, n'igitambara cari mu mutwe wiwe, kitarambitse hamwe na za mpuzu, ariko kizinze kir' ahaco ukwa conyene. Ni ho hinjiye wa mwigishwa wundi na we, umwe yabanje gushika ku mva, abibonye arizera. Kuko bataribwamenye ivyanditswe yukw akwiye kuzozuka mu bapfuye. Maz' abo bigishwa bavayo basubira i wabo.

**Yohana 20:1-10**





Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura urugi, ndinjira i we, dusangire. Ūnesha, nzomuha kwicarana nanje ku ntebe yanje y'ubwami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data ku ntebe yiwe.

Ūri n'ugutwi, ni yumve ico. Mpwemu abwira amashengero.

**Ivyahishuriwe Yohana 3:20-22**

Bible Stories for Kids
©2020
Illustrated by David W. Grasso
All Rights Reserved

Scriptures extracted from La Sainte Bible en Kirundi
©United Bible Societies, 1967

Published by Foursquare Missions Press
**foursquaremissionspress.org**






FMP
Foursquare Missions Press

Bible Stories for Kids-Kirundi